Ishule Kaminuza riraba ivy'Iterambere ry'i Jeneve ryavutse mu 1961. Iryo shule ryigisha intumbero nyinshi z'Iterambere mu mvugo no mu ngiro, rishimikiye ku kubahiriza imico kavukire n'ivyiyumviro vy'abantu bose, baba abo mu bihugu vyateye imbere canke abo mu bihugu biri mu nzira y'amajambere. Ishule IUED ririga kandi rikagira n'imigambi y'ubushakashatsi ku vyerekeye amagara y'abantu n'iterambere rya bose muri vyose. IUED niryo jisho rya Leta y'Ubuswisi ku vyerekeye irangurwa ry'imigambi y'iterambere ico gihugu cishinze mu bihugu biri mu nzira y'amajambere. Ishule IUED rikoresha amahera rihabwa na Leta y'Ubuswisi.

Vyahinduwe mu kirundi na BANKABIGERO Anicet, KARIMUMURYANGO Jérôme na NURWAHA Spès-Caritas.
Mukakaro, 1995.

IUED

KUGIRANGO U BURUNDI N'U RWANDA BIVAVANURE N'AKAMENYERO K'IMBURAGIHANA

Ivyagezweko n'umurwi wo kwumva no kwumvikanisha abavuka mu karere ka Afrika y'Ibiyaga Binini.

Ishule Kaminuza riraba ivy'Iterambere ry'i Jeneve

Ivyiyumviro vyemejwe n'abagize umurwi bose

"Umurwi wo kwumva no kwumvikanisha abavuka mu karere"

ka Afrika y'Ibiyaga Binini". Ishule Kaminuza riraba ivy'Iterambere ry'i Jeneve rizwi mu Burundi no mu Rwanda kuva mu 1960. Abahize n'abahigisha baterereye agacumu k'ubumwe mu migambi y'Iterambere muri ivyo bihugu ni benshi. Muri Ruheshi 1994, niho havuka umurwi wishinze kwumva no kwumvikanisha abaturuka muri ivyo bihugu baba mu Buswisi. Uwo murwi ugizwe n'abanyeshule biga muri iryo shule n'abahize kera, abigisha kw'ishule IUED, abapfasoni n'abashingantahe baturuka mu Burundi, mu Rwanda, muri Zayire no mu Buganda, batarya umunwa, bavuga batomoye ico biyumvira ku vyerekeye ingorane ziri mu karere ka Afrika y'Ibiyaga Binini. Haheze amezi atandatu uwo murwi utanguye gukora, wihweza kazoza k'ako karere. Mu mezi atatu ya nyuma y'umwaka w'1994, uwo murwi wize ikibazo cerekeye. Imburagihana, uca wandika n'aka gatabo karimwo ivyiyumviro vyawo kuri ico kibazo. Ivyiyumviro biri muri aka gatabo, vyemejwe n'abagize uwo murwi bose, kw'igenekerezo rya 14 Kigarama umwaka w'1994. Ivyiyumviro birimwo ni intumbero y'ibikwiye kwemezwa no gukorwa mu nzego z'ubutungane na politike, bikaba n'ishimikiro y'amanama n'ibiganiro vyohuza abavuka muri ako karere ka Afrika y'Ibiyaga Binini cane cane Abarundi n'Abanyarwanda. Umurwi wagomvye kwiga ico kibazo ufatiye hamwe ibihugu vyose bigize ico gice ca Afrika. Uwo murwi wipfuza kandi ko ivyiyumviro biri muri aka gatabo vyoshikirizwa abantu bo kw'isi yose cane cane ababa n'abaturuka muri ako karere ka Afrika, n'abo bose barazwa ishinga na kazoza ka Afrika. Uwogira ico anegura canke yongereza kuri ibi vyiyumviro biri muri aka gatabo, aravyandika abirungike kwa:

Jean-Pierre GONTARD, Directeur-adjoint
IUED
Rue Rothschild 24
Case postale 136
1211 Genève 21- Suisse/Switzerland
Tél: 0041 (22) 906-5982
Fax: 0041 (22) 906-5994

AMAZINA Y'ABAGIZE "UMURWI WO KWUMVA NO KWUMVIKANISHA ABAVUKA MU KARERE KA AFRIKA Y'IBIYAGA BININI".

BANKABIGERO Anicet
BARAMPAMA Angelo
EGGER Jeanne
FINO Daniel
FROIDEVAUX Dominique
GAHIGI Justin
GASANA James
GONTARD Jean-Pierre
KAHAMAILE Justin
KAREMERA Pierre
KARIMUMURYANGO Jérôme
KAYIGEMA Anicet
MAURER Jean-Luc
MUKARUSAGARA Emilienne
MUKAYUNI Mary
NGABONZIZA Damien
NKANAGU Tharcisse
NOUMBISSIE Hugues
NSENGIYUMVA Marie-Joséphine
NSHIMIRIMANA Pasteur
NTARATAZE BARAMPAMA Daphrose
NURWAHA Spès Caritas
WEGE NZOMWITA Venant
UWAMALIYA Mélanie

IBIRIMWO

Intangamarara urup

1. Ihonyabwoko urup

2. Igandagurwa ry'umukuru w'igihugu urup

3. Ubwicanyi urup

4. Urwaruka rwagirizwa ihonyabwoko n'ubwicanyi urup

5. Kwiyegurira bwite amatongo n'amatungo urup

6. Kwigisha itsimbatazwa ry'agateka ka zina-muntu urup

7. Imenyekanishwa ry'aka gatabo urup

KUGIRANGO U BURUNDI N'U RWANDA BIVAVANURE N'AKAMENYERO K'IMBURAGIHANA

Ivyagezweko n'umurwi wo kwumva no kwumvikanisha abavuka mu karere ka Afrika y'Ibiyaga Binini.

Haheze imyaka itari mike, ukwiyobagiza guhana inkozi z'ibibi vyarimonogoje mu Rwanda no mu Burundi. Ni naco kiranga amagume ivyo bihugu birimwo muri iki gihe. Mu misi iri imbere, ubucamanza bwo mu Rwanda no mu Burundi butegerezwa gushimikira ku vyaha bikuru bikurikira :

- **Ihonyabwoko**
- **Igandagurwa ry'umukuru w'igihugu**
- **Ubwicanyi**
- **Kwiyegurira bwite amatongo n'amatungo**

1. Ihonyabwoko

Mu Rwanda

Icaha co guhonya ubwoko caremejwe n'amakungu ku vyerekeye u Rwanda. Ingingo zikurikira zitegerezwa gushirwa mu ngiro mu maguru masha.

1.1. Itohozwa ry'abagirizwa ivyaha

Itohozwa n'itegurwa ry'amadosiye arimwo ivyagirizo n'ivyemezo nyakuri, bitegerezwa kurangurwa n'abategetsi b'u Rwanda, bafatanije n'amashirahamwe yigenga yishinze gutsimbataza agateka ka zina-muntu. Abashinzwe intwaro n'amashirahamwe ategamiye Leta mu bindi bihugu, na cane cane ibihana imbibe n'u Rwanda, basabwe gufasha muri ico gikorwa.

1.2. Sentare ishinzwe ico caha: Sentare nyarwanda ifashijwe n'amakungu

Kubera ko sentare y'amakungu nyazina idashobora gukora neza kandi ningoga, vyoba vyiza ku banyagihugu bo muri ako karere n'abo kw'isi yose, ko sentare y'u Rwanda ishinzwe ico kibazo yogitohoza mu maguru masha yishimikije imvo nyakuri kandi nkuru zashikirijwe ubucamanza.

Iyo sentare y'igihugu ishobora kwunganirwa n'abacamanza n'ababuranira abagirizwa ivyaha b'abanyamahanga. Bibaye ngombwa, iyo sentare ishobora guca imanza za bamwe-bamwe bagirizwa ihonyabwoko.

1.3. Irengukishwa n'icibwa ry'urubanza ry'abagirizwa ihonyabwoko batari mu Rwanda

Ubu, bamwe mu bagirizwa ihonyabwoko ntibari mu Rwanda. Bategerezwa gushikirizwa ubutungane bw'u Rwanda. Mu gihe ata masezerano ariho hagati y'u Rwanda n'ibihugu barimwo, ico nticoba icitwazo cobuza gufata no gushikiriza u Rwanda izo nkozi z'ikibi.

Hagize ibihugu bitavyipfuza canke bitabishoboye, abo bagirizwa ico caha bategerezwa gucirwa urubanza hakurikijwe amategeko y'ibihugu barimwo.

1.4. Ihanagurwa n'imbabazi

Ivyaha bishimikiye ku guhonya ubwoko ntibishobora guhanagurwa canke ngo bigirirwe ikigongwe.

Mu Burundi

1.5. Ku vyerekeye u Burundi, turazi ko ubwicanyi buteguwe kandi

bushimikiye ku moko bwimonogoje kuva muri 1965. Ubwo bwicanyi busa n'ihonyabwoko, ni naco gituma ingingo zafashwe ku Rwanda zokurikizwa mu Burundi. Nazo ni izi: gufashanya n'amakungu ku vyerekeye itohozwa ry'ivyaha, ishingwa ry'amasentare yo mu Burundi akorana n'amakungu, irengukishwa ry'izo nkozi z'ibibi zahungiye mu bindi bihugu, kudahanagura ivyo vyaha no kutagirira ikigongwe abo babisha.

Abicanyi bahungiye mu bindi bihugu bategerezwa gushikirizwa ubutungane bw'u Burundi. Mu gihe bidashoboka, ibihugu bibahaye indaro vyobacira urubanza bikurikije amasezerano mpuza-makungu yerekeye iyubahirizwa ry'agateka ka zina-muntu.

2. Igandagurwa ry'umukuru w'igihugu

Abakuru b'ibihugu batatu, babiri b'u Burundi n'umwe w'u Rwanda, baragandaguwe hagati ya gitugutu 93 na ndamukiza 94.
Ivyo vyaha vyegamiye amategeko mpana-vyaha n'ibwirizwa-nshingiro vya republika y'u Burundi n'iy'u Rwanda n'u . Ariko gushika ubu ntibirahanwa.

2.1. Itohozwa ry'abamenja

Harakenewe itohozwa ry'abo bamenja, ababafashije n'ababakingiye ikibaba, baba imvukira canke ba kavantara. Itohozwa ryega abategetsi b'ivyo bihugu, bonyene canke bafashanije n'amashirahamwe y'abanyagihugu.
Birashoboka ko abategetsi b'ivyo bihugu batoba bafise uburyo canke ishaka ryo kurangura neza iryo tohozwa, muri ico gihe harakenewe intererano y'amashirahamwe mpuza-makungu yo muri ako karere (ishirahamwe mpuza-makungu ONU, ishirahamwe ry'ibihugu vy'Afrika OUA n'ayandi). Kubera ko mwene iryo tohozwa rigoye kurangurwa, ico kibi nticohanagurwa imbere y'imyaka 15.

2.2. Uruhara rw'ubutungane: sentare zijejwe izo manza

Imanza z'abo babisha zocibwa mu butungane bwishimikije amategeko agenga igihugu kandi bukarangurwa n'amasentare asanzwe ariho. Mu gihe ayo masentare naho atabishoboye, boshiraho sentare ata kindi ishinzwe atari ukurangura ico gikorwa. Abacamanza n'abashikiriza-manza bokora ata muturubiko kandi imanza zigacibwa ku mugaragaro.
Muri ico gihe, abarorerezi bo muri ako karere n'abo mu mashirahamwe mpuza-makungu ajejwe ivy'imanza, borekurirwa gukurikira neza izo manza.

2.3. Ibihano n'ikurikizwa ryavyo

Ibihano vyotangwa ni ibitegekanijwe n'amategeko y'igihugu. Ikizira kikaziririzwa ni ukugirira ikigongwe abateguye n'abaranguye igandagurwa ry'abakuru b'ibihugu.

2.4. Irengukishwa n'ishikirizwa ry'abagirizwa ubwicanyi bari mu mahanga

Kuba ata masezerano ari hagati y'ibihugu bahungiyemwo n'igihugu bakozemwo icaha, ntibishobora kuba imvo ibuza gufata no gushikiriza abagandaguye umukuru w'igihugu ku butegetsi bubijejwe.

3. Ivyaha vy'ubwicanyi

Abantu batari bake, abakuze n'urwaruka, barasheshe kandi baracasesa amaraso. Imanza zabo zegamiye ubutungane mpana-vyaha bw'igihugu kimwe kimwe ukwaco (u Rwanda, u Burundi, Zayire, Tanzaniya).
Abo bantu bategerezwa guhanwa kandi hagakurikizwa ubutungane kuri bose.

3.1. Itohozwa ry'abagirizwa ivyaha n'ikurikiranwa ryabo

Itohozwa ry'abagirizwa ivyo vyaha ryaratanguye kandi ritegerezwa kubandanya.
Ikurikiranwa ry'izo nkozi z'ibibi ryokorwa n'abashikiriza-manza kavukire bashigikiwe n'amakungu akabaronsa uburyo n'ibikoresho, abacamanza bo mu bihugu vy'Afrika bakabafasha.
Umuntu wese yagirizwa icaha ategerejwe kwugururirwa no kwandikirwa igitabo (dosiye) kandi agafatwa hakurikijwe ibwirizwa ry'umushikiriza-manza w'igihugu.

3.2. Guca urubanza

Muri iki gihe, ukwishira n'ukwizana kw'abacamanza ntikwubahirijwe mu Burundi no mu Rwanda (abacamanza bakorera igitsure).

Vyongeye abanyagihugu ntibizeye ubutungane buriho ubu. Ni naco gituma hakenewe gushirwaho mu maguru masha, abacamanza bizigiwe n'abanyagihugu b'ubwoko bwose bwo muri ako karere; abo bacamanza bategerezwa kuronka inyigisho zihutirwa kandi zijanye n'igihe turimwo kugirango haboneke akarusho.

Muri iki gihe, abagirizwa ivyaha ntibafise uburyo bukwiye bwo kwiregura (kubera inkehwa n'izimba ry'abababuranira). Amasentare mpana-vyaha yotegerejwe kwemera ko ibikorwa bimwe bimwe, birangurwa mu bihe bisanzwe n'ababuranira abantu, vyorangurwa muri kino gihe n'abaserukira amashirahamwe yishinze kwubahiriza agateka ka zina-muntu.

3.3. Ibihano n'ikurikizwa ryavyo

Ibihano bitegekanijwe n'amategeko y'igihugu bitegerezwa kwongerezwako ibindi. Iruhande y'ibihano bisanzwe bitegekanijwe n'amategeko mpana-vyaha, abacamanza bashobora kwongerako nk'ibi: gutanga indishi y'akababaro ku miryango yabuze ababo, gukuminwa mu buzima bw'igihugu, nko kutitoza mu mabanga yo kurongora abanyagihugu mu nzego izo ari zo zose, gutangariza ahabona inkozi z'ibibi canke kuzifunga icamaso, kubagira ibicibwa, n'ibindi.

4. Umurwi udasanzwe: urwaruka rwagirizwa ihonyabwoko n'ubwicanyi

Abenshi mu rwaruka baragize uruhara rudasanzwe muri ubu bwicanyi. Babaye ibikoresho vy'abakuze babaha amahera, ibiyayura umutwe kugira bice ata bwoba, ata makenga. Benshi muri bo binjijwe mu turwi tw'abicanyi no mu ntwaramiheto. Ntibagisonera kandi ngo bubahirize ubuzima bw'umuntu. Urwo rwaruka, co kimwe n'abakuze bagirizwa ivyo vyaha, rutegerezwa gutohozwa no gucibwa urubanza.

Kuri uwo murwi w'urwaruka, hategerezwa gushirwa imbere imigambi yobafasha gusubira kuba abantu. Kubafunga nta kamaro bifise kuko vyotuma bacika inyamaswa zotinda zigeramira ibihugu vyo muri ako karere.

Ico kibazo kirahambaye, ni naco gituma hoshingwa mu maguru masha inzego zo kwakira no kwigisha urwo rwaruka.

5. Kwiyegurira bwite amatongo n'amatungo

Leta zo muri ako karere zitegerezwa kwemeza kandi zikubahiriza utuntu twa muntu. Kwitiza amazu y'abandi canke amatungo y'abantu batariho muri ico gihe, gutegerezwa kugengwa n'amategeko abishinzwe. Mu Burundi no mu Rwanda , hategerezwa gushingwa urwego rushinzwe gucungera no kwabahiriza ayo matungo n'amatongo. Mu kurindira ko benevyo bagaruka, abantu boba badafise aho bikora nibo bonyene botizwa n'ababishinzwe, ayo mazu, imirima, amatongo n'amatungo.

Itegeko ryo gushumbusha ababuze ababo n'ivyabo muri iyo ntambara ritegerezwa kwemezwa na Leta. Uwo icaha cagiriye ategerezwa kugira uruhara runini muri iryo shumbusho, Leta nayo nyene yofasha na cane cane mu migambi yo kubaronsa uburaro.

Harakenewe gushinga mu maguru masha ikigega c'intererano kigizwe na Leta, abikorera utwabo n'abagiraneza bo mu bindi bihugu.

Ibibazo vyerekeye amatongo n'amatungo bitashoboye gutorerwa umuti mu mwumvikano ni vyo vyonyene vyoshikirizwa ubutungane.

6. Kwigisha itsimbatazwa ry'agateka ka zina-muntu

Ingingo zihejeje gushikirizwa zerekeye kurandurana n'imizi akimenyere ko kudahana abakoze ivyaha, vyojana n'inyigisho zerekeye gutsimbataza agateka ka zina-muntu no kwishira n'ukwizana mu gihugu c'amavukiro.

Twisunze akamo katewe n'ishirahamwe ry'Afrika ry'amategeko mpuza-makungu mu nama yabereye i Banjul mu mwaka w'1989, iyo nyigisho yoshimikira kuri izi ngingo:

- Kumenyesha amakuru yerekeye iyubahirizwa ry'agateka ka zina-muntu mu buzima bwose bw'igihugu.
- Gutegura inyigisho zerekeye iyubahirizwa ry'agateka ka zina-muntu no kuzishikiriza abanyagihugu bose haba mu ndero canke mu kazi ako ariko kose.
- Guhindura mu rurimi kavukire, kugirango umunyagihugu uwo ari we wese amenye amategeko agenga agateka ka zina-muntu kw'isi yose no muri Afrika. Izo nyigisho zokwishimikiza na cane cane imico n'imigenzo-kama iranga igihugu mu vyerekeye kurwanira n'ukwubahiriza agateka ka zina-muntu.

Leta, amashirahamwe yigenga akorera mu gihugu no muri ako karere, bafatanije n'amashirahamwe mpuza-makungu mu gihe bikenewe, nibo bategerezwa gutanga no gutsimbataza izo nyigisho.

Abanyagihugu bategerezwa kumenyeshwa mu buryo bworoshe, bwumvikana kandi burashe, amategeko abubahiriza n'ivyo bategerezwa gukorera igihugu c'amavukiro, ingene ubutungane butegerezwa gukurikizwa no kububahiriza mu gihe hari icaha kibagiriye, inzira ziriho zo gutorera umuti ibibazo bibaraza ishinga biciye mu butungane, atari ku gikenye.

7. Imenyekanishwa ry'aka gatabo

Umurwi wo kwumva no kwumvikanisha abavuka mu karere k'Afrika y'Ibiyaga Binini wize iki kibazo wipfuzako ibi vyiyumviro vyomenyekanishwa hose, cane cane mu karere ka Africa kerekewe n'ibi vyiyumviro, no ku muntu wese canke ishirahamwe ryose rirazwa ishinga na kazoza ka Afrika.

Amahinyu n'ivyiyumviro vyoza vyunganira aka gatabo, uwo murwi ubiteze yompi. ❒